Uwipfuza kwugururirwa mu bimubeshaho (uwukunda ko ahabwa umusesekara mu bimubeshaho), agahabwa n'ubuzima burebure, araheza yunge ubuvandimwe bw'abo basangiye amaraso

Mu vyakiriwe na Anasi mwene Maaliki (Imana Allah Imwishimire) ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yavuze iti: "Uwipfuza kwugururirwa mu bimubeshaho (uwukunda ko ahabwa umusesekara mu bimubeshaho), agahabwa n'ubuzima burebure, araheza yunge ubuvandimwe bw'abo basangiye amaraso".

[صحيح] [متفق عليه]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), arahimiriza kwunga ubuvandimwe hagati y'abasangiye amaraso mu kugenderanira, mu guterana inkunga mu bikorwa bikeneye inguvu z'umubiri n'iz'uburyo, n'ibindi bitari ivyo, akanahimiriza no kwunga ubuvandimwe, kuko ari yo mvo ituma umuntu yugururirwa ubuzima akaronka umusesekara mu bimubeshaho akanaramba.

http://www.sunnah.global/hadeeth/rn/show/5372